**RCC 10839**

**AMAJAMBO MAKURU MAKURU**

**Ababuranyi bavukana – gusambuza urubanza – gushingira akarimbi umugeregwa – igihe kihaciye babana kw'itongo – itongo ry'umuheto risangiwe – itongo ryaguzwe inka – ivyemezo ko baguriye hamwe – kuba mu ndagano zitegekanijwe n'amategeko – kubana kw'abavukana kw'itongo ry'umuheto – kugurisha ibiri mw'itongo ntihagire uwufata – ubugeregwa – urubanza rudasambuwe.**

**URUBANZA**

- 1 -

RCC 10839

SENTARE NTAHINYUZWA ISHASHE MU GISATA CA GASAMBURAMANZA YACIYE URUBANZA RUKURIKIRA : INTAHE Y'ICESE YO KU WA 25/2/2005

UWITWARA : SB. aba ku musozi Rugasa, Komine Bugabira, Intara ya Kirundo.

UWITWARIRWA : HA. P.Claver aba ku musozi Rugasa, Komine Bugabira, Intara ya Kirundo.

Twihweje ikete M. Jean Bosco aserukira SB. yandikiye Sentare ku wa 29/7/2003 asambuza urubanza RCA 1611 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Kirundo ku wa 17/6/2003 rukaba narwo rwavuga ruti :

Sentare Nkuru y'Igihugu ya Kirundo ica imanza ababuranyi bahinyuzanya, ibanje gukura urubanza mu mwiherero w'abacamanza nkuko amategeko abivuga ;

Ishinze ko :

1. Yakiriye iyunguruzwa ry'urubanza nk'uko ryagizwe na HA. Claver kandi isanze imburano ziwe zishemeye ;
2. Urubanza rwa Sentare y'Intango rurahindutse mu ngingo zose ;
3. Itongo HA. aburana na SB. rizogaburwamwo imigabane ibiri ingana umwe utware HA.uwundi SB. ;
4. Amagarama uko angana 14.200 FBu atangwa na SB.

Twihweje ko isambuza ryamenyeshejwe HA. Pierre Claver ku wa 25/9/2003 akaba nawe yaciye yiregura mu rwandiko yashikirije Sentare ku wa 25/9/2003 ;

Twihweje iciyumviro c'umucamanza wa Sentare co ku wa 11/11/2003 hamwe n'ic'umushikirizamanza mukuru c'italiki 6/1/2004 ;

Twihweje ingingo n° RCC 10839 yo ku wa 26/7/2004 y'umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa ihamagaza urubanza mu ntahe y'icese yo ku wa 16/12/2004 hakanatumwako ababuranyi ngo barenguke kw'iyo sango nkuko iyo ngingo yaciye imenyeshwa uwitwaye ;

Twihweje ihamagarwa ry'urubanza muri iyo ntahe y'icese aho ababuranyi bitavye bompi bakanoganza imburano, umushikirizamanza mukuru amaze gutanga iciyumviro ciwe Sentare yaciye inyurwa ishira urubanza mu mwiherero none haciwe urukwirikira ;

- 2 -

Kubera ko urubanza RCA 1611 rusambuzwa rwaciwe ku wa 17/6/2003 rumenyeshwa SB. ku wa 23/6/2003 aca yitura Gasamburamanza kw'igenekerezo rya 29/7/2003 akiri mu ndagano zitegekanijwe none yakiriwe ;

Kubera ko M. Jean Bosco aserukira SB. yitwara avuga ko imburano ziwe zahinduwe bandika ko HA. yagurishije itongo kandi bitigeze biba ngo ryagurishijwe kuri Kagongo na nyeneryo ariwe SB. hakaba hari mu 1971 ;

Kubera ko abandanya yigana ko sekuru HU. yarisanzemwo SU. amugumizamwo ka bugererwa kugeza mu 1976 aho se SB. yamushingira akarimbi ;

Kubera ko asozera ibirego vyiwe avuga ko inka yaguzwe itongo ari iya HU. wenyene ariwe SB. ;

Kubera ko HA. Pierre-Claver amwikura nawe avuga ko bavukana kuri sekuru SB. wewe akaba ariwe yahaye abahungu biwe HU. na K. bakomokako inka yaguzwe itongo riburanwa ;

Kubera ko yemeza ko iryo tongo barisangiye K. atigeze aba umugererwa wa HU. ngo vyongeye yaragurishije ibiti ntawamufatiye ;

Kubera ku bwa Gasamburamanza ababuranyi bashikiriza imburano z'ido n'ido ariko bikaboneka ko bavukana kuko bose bakomoka kuri SB. bakaba babana kuri iryo tongo ku va mu 1941 aho barijemwo bavuye i Gasange ;

Kubera ko bitumvikana ingene HU. yari kugura itongo agaca asubira inyuma kuzana mwenewabo K. ngo baribaneko aho kumureka akaguma mury'umuryango ;

Kubera ko nkuko isura SV. Yavyiganye, iryo tongo koko ryaguzwe inka, inzu HU. na K. bashikiyemwo zikaba zubakishijwe n'umurongozi N., abo bavukanyi bakaba baribanyemwo imyaka n'iyindi ataburimbi, ubu rero atariho abuzukuru babo basubiranamwo ;

Kubera ko umucamanza yatohoje urubanza agashinga ingingo ibereye kanatsinda ntivyokumvikana ingene bene K. bokwangazwa ubu, mwenewabo HU. atigeze abigira ;

KUBERA IZO MVO ZOSE :

Sentare Ntahinyuzwa ishashe mu gisata ca Gasamburamanza ;

Yihweje Ibwirizwa n° 1/018 ryo ku wa 20/10/2004 ryerekeye ibwirizwa Nshingiro Mfatakibanza rya Républika y'Uburundi ;



Yihweje Ibwirizwa n° 1/004 ryo ku wa 14 Nzero 1987 ryerekeye iringanizwa ry'amasentare n'ububasha bwazo ;

Yihweje Itegeko-Bwirizwa n° 1/51 ryo ku wa 23 Mukakaro 1980 ryerekeye ingene bazogenza muguca imanza muri Sentare Ntahinyuzwa ;

Yumvise iciyumviro c'umushikirizamanza mukuru ;

Ica imanza imbona nkubone ibanje gukura urubanza mu mwiherero w'abacamanza nkuko bitegekanijwe ;

Ishinze ko :

- Yakiriye isambuza ry'urubanza RCA 1611 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Kirundo ku wa 17/6/2003 ariko isanze ridashemeye ;
- Irahakanye rero gusambura urwo rubanza ;
- Iyi ngingo yandikwe mu bitabu vy'iyo Sentare nyene hambavu y'urudasambuwe ;
- Amagarama ageretswe kuri SB. we arushijwe.

Uko niko ruciwe kandi rusomwe i Bujumbura mu ntahe y'icese yo ku wa 25/2/2005, hashashe umukuru w'intahe, abacamanza bafashijwe n'umushikirizamanza mukuru n'umwanditsi.

**KWIHWEZA URUBANZA**

Uru rubanza rwerekeye itongo SB. apfa na HA. P.Claver, rukaba rero rwahereye muri Sentare y'Intango ,rumaze gucika HA. P. Claver ntiyarushima arwungururiza muri Sentare Nkuru y'Igihugu ya Kirundo.

B nawe ntiyashimye urwaciwe n'iyo Sentare Nkuru y'Igihugu maze aca ashika muri Sentare Ntahinyuzwa ishashemwo gasumburamanza akayisaba gusambura urwo rubanza rwa Sentare Nkuru y'Igihugu.

Mu mburano za SB. avugako imburano ziwe zahinduwe, akavugako itongo ryaguzwe. HA. P. Claver nawe yiregura avugako bavukana kubera ko bose bakomoka kuri SB. bitayeko H. V. ntiyari kugura itongo agaca azana mwene wabo ngo baribane mwo. Kira noneho, ntiboba barabanye imyaka n'iyindi ngo haheze hangazwe abuzukuru ba K.

Nkuko tubibona abantu babanye atakarimbi kari hagati yabo imyaka n'iyindi, bakahayvarira bose, abana babo nabo nyene bakahavyarira ata wanrya wangura ubu siho abuzukuru bumwe bokwangazwa, ni naco gituma no ku bwacu RCA1611 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu rutosambuka.